## Intahe

Nimba wifuza kubarira abandi bapfasoni ivyiza uzi vya BreastScreen SA kugira ngo ubafashe kubaha inkomezi zo kwitabira ibipimo vya kanseri y'amabere, ntwo kunda gose kumva ivyo utubariye! Hari uburyo bwinshi ushobora kuvugamo inkuru yawe – ndagusaba menyesha umugwi wacu w'Uburezi na Promotion kuri 08 8274 7100 canke email BSSApromoed@health.sa.gov.au uze umenye vyinshi.

Turafise akanyamuneza ko kukwakira kandi igihe c'isango wahawe ikurikira y'igipimo c'amabere.

## For more information

BreastScreen SA
SA Health
Telephone: 13 20 50
www.sahealth.sa.gov.au/breastscreen
bssaenquiries@health.sa.gov.au

If you do not speak English, request an interpreter from SA Health and the Department will make every effort to provide you with an interpreter in your language.

BY NC ND
www.ausgoal.gov.au/creative-commons

© Department of Health and Ageing, Government of South Australia. All rights reserved. Printed March 2014. 13038

Government of South Australia
SA Health

# Munyuma y'isango yo gutanga ipica y'amabere

Government of South Australia
SA Health

## Niki cabaye uhejeje gusuzumwa ingora ikomeye?

Isuzumwa ry'ipica y'ingorane ikomeye izorungikwa Mugisata c'Uburongozi bw'Intara ya Adelaide kugira ngo bisuzumwe muburyo bwihariye nimiburiburi n'abahinga baba dogiteri bita aba (Radiologistes).

## Ni ryari nzoronka ibisubizo vyanje?

Nimba ata bimenyetso vya kanseri y'amabere canke ata suzuma rindi rikenewe wewe na dogiteri wawe akuvura muzomenyeshwa ibizubizo munyandiko mukiringo c'iminsi 14.

Abapfasoni benshi bizezwa yuko ata bimenyetso vya kanseri y'amabere biboneka.

Ipica y'ibere yiwawe izobikwa muri BreastScreen SA kugira ngo ize iboneke igihe co kugereranya n'izindi pica z'amabere uzofatwa muri kazoza. Nimba wazanye indi pica yawe wipimishije wenyene, uzoyisubizwa.

Ububiko bw'amapica y'amabere bita BreastScreen SA burafise amategeko akaze yihariye kandi abakozi bacu ntibashobora gutanga message kuri telefoni canke ngo bayage ivyerekeranye n'ibisubizo vyiwawe n'abavukanyi bawe canke abandi bantu ataruhusha ubahaye.

Ndagusaba menyesha ububiko bw'amapica y'amabere bita BreastScreen SA nimba utaronse ibisubizo vyawe mukiringo c'iminsi 21.

## Nigute nogira nimba hakenewe ibindi bipimo ?

Igitigiri c'abapfasoni gito kizokenera ibindi bipimo bikuru bikuru. Ibi bishobora kubamo ipica ya X-ray itandukanye, ibipimo vya echographie n'ibindi bipimo bikorwa atamahera wishuye mu Isuzuma rya Clinike ya Adelaide.

Abapfasoni benshi bahamagarwa munyuma ngo basuzumwe n'ibindi bipimo bikomeye bizezwa kandi yuko badafise kanseri y'amabere.

Ndagusaba uze uboneke mundwi zitandatu nyuma y'isango yo gutanga ipica y'amabere igihe hokenerwa ikindi gipimo. Nimba utegura kuja ahandi hantu, ndagusaba uze uduhe indi aderesi twokuronkerako.

## Ni ryari igipimo c'amabere gikurikira giteganijwe?

Nimba ata bimenyetso vya kanseri y'amabere vyabonetse, uzorungikwa kwibutsa ubutumire bw'igipimo c'amabere gikurikira mukiringo c'imyaka ibiri. Muma cesi amwe amwe, ipica y'amabere ku mwaka irashobora gusabwa.

Gufatwa ipica y'amabere ntibikingira kanseri y'amabere muri kazoza kandi ipica y'amabere irakenewe ko yama isubirwamo mugihe kitarengwa gisabwa kugira ngo yerekane impinduka y'amabere.

## Mbega ngomba gukora ikindi kintu hagati y'ugusurwa mu isuzuma?

Hagati y'ukugendererwa mu isuzumwa, nivyiza ko wemera ukungene amabere aboneka kandi uyumviriza bisanzwe. Nimba obonye ihinduka, akarorero ukuvako umwanda wose canke amaberebere ugomba kumenyesha dogiteri wawe vuba bishoboka kugira ngo ategure isuzuma nyamukuru rikenewe.

## Niki cabaye kuvyerekeranye n'amakuru y'igihe co kugendererwa kwanje mu isuzuma?

Ibisubizo vy'ibipimo ivyarivyo vyose ufise na kopi z'ama pica y'amabere nimba asabwe arungikwa kuba dogiteri wahawe, no kubandi badogiteri abaribo bose babaye mu bipimo bindi bikomeye canke ubuvuzi. Amakuru ajanye n'itohoza iryariryo ryose n'ubuvuzi bukurikira ibipimo vy'amabere vyegeranyirizwa kuba dogiteri bakuvura kugira ngo bafashe abajejwe ububiko bw'ibipimo bita BreastScreen SA go bamenye kandi bakwizeze ko uronswa ubuvuzi bukenewe gose.

## Nigute nobona dossier yanje?

Ama kopi y'ibipimo vy'amabere birashobora kuboneka, hamwe n'icifuzo cawe, kuzindi serivisi za BreastScreen za Australia ugiyeho. Azohabwa kandi abahinga wahawe niba bikenewe mubuvuzi bubandanije.

Kopi za dossier yawe y'ibisubizo vyawe zishobora kuboneka ubaye usavye Ubwigenge bw'Amakuru. Urashobora gusabwa gutanga amahera. Kugira ngo umenye vyinshi ndagusaba menyesha Breast Screen SA kuri 13 20 50.

## Ugutanga inyishu

Turizigira ko unejejwe na serivisi uronka uyu munsi – nimba wifuza kugira ico uvuze Icarico cose, iciyumviro canke icifuzo hejuru ya progaramu yacu, ikarita y'ivyiyumviro vyawe iraboneka kuri reception ya clinike, canke urashobora kuduhamagara kuri 13 20 50.